LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

***N°544Co kuva kuwa 14 gushika kuwa 20Nyakanga 2026***

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 20 Nyakanga 2026, abantu bashika 881 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 794 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 269 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

**IBIRIMWO**

*0. INTANGAMARARA......5*
*I. UMWIHWEZO......6*
*II. UBURENGANZIRA BWO KWIGENGA N MURI PORITIKE......12*
*III. UBURENGANIRA KU MIBANO ,UBUTUNZI N'IMITO KAMA......15*
*IV. UGUSOZERA......18*
*V. IBISABWA......18*

***INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO KUVA KUWA16 NTARANTE 2023***



# *IMPFUNYAPFUNYO*

**CNL** : **Ihuriro ry'igihugu riharanira umwidegemvyo**

**CNDD-FDD** : *Inama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-urunani rukingira intwaro rusangi*

**FDNB** :Ingabo zirwanira igihugu c' Uburundi

**FOMI** : Ifumbire ihinguye

**FRAD** : Ingabo zisahiriza n'ukwikingira

**GBV/VBG** : Amabi afatiye ku gitsina

**M23** : **Umuhari wo ku wa** 23 Ntwarante

**RDC** : République Démocratique du Congo

**REGIDESO** : Ikigo kijejwe gukwiragiza amatara n'amazi

**RN3** :Ibarabara ry'igihugu n°3

## *URUTONDE RW'IBIRIMWO*

0. INTANGAMARARA....5

I.UMWIHWEZO ....7

I.1.UMWIHWEZO WA PORITIKE ....7

I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO ....9

I.3.UMWIHWEZO W'INTWARO ....11

I.4.UMWIHWEZO W'UBUFASHA....11

I.2. UMWIHWEZO W'IBIDUKIKIJE ....12

II. UBURENGANZIRA BW'UKWIGENGA NA PORITIKE....12

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA ....12

II.1.1. UMUGABO YISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE MU KIRUNDO ....12

II.1.2. UKUNYURUZWA N'UKUBURWA IRENGERO. ....12

II.1.3. URUPFU RW'ABAPFUNGWA MU BURYO BUBABAJE MU BIJANYE N'ISUKU N' UBUVUZI ....13

II.2. UGUKUBAGURWA KU MUBIRI NO KU MUTIMA ....14

II.2.1.AMABI YO KU RUKOBA....14

II.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA ....14

III. UBURENGANZIRA BW'IMIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA ....15

III.1. UBURENGANZIRA KU NDERO....15

III.2. UBURENGANZIRA KU BUZIMA BUBEREYE ....17

IV. UGUSOZERA....18

V.UGUSOZERA N'IBISABWA....19

## *0. INTANGAMARARA*

Indwi yo kuwa **14 gushika kuwa 20 Nyakanga 2026** yararanzwe n'ibibazo bikomeye mu bijanye n'agateka ka zina muntu, umutekano,poritike itandukanye hamwe no mu mwumvikano mu kibano,hasigaye amezi adashika 8 ngo habe amatora y'umukuru w'igihugu ategekanijwe muri Rusama 2027.

Ivyo vyarashizwe ku mugaragaro ,kuwa **18 Nyakanga 2026 i Genève**, mu kwerekanwa mw'ikoraniro ry'ibihugu vyunze ubumwe ku gateka ka zina muntu, mu cegeranyo c'2026 c' **umuhinga adasanzwe akwirikirana agateka ka zina muntu mu Burundi, Fortuné Gaetan Zongo**, c'ijambo ry'umutwe*« Agir avant qu'il ne soit trop tard »*. Muvyo yashikirije, umuhinga adasanzwe yarakebuye ku bimenyetso vyinshi vy'amakenga amatora y'umukuru w'igihugu y'2027 yimirije,nk'ikumirwa ry'imigambwe myinshi,intambamyi z'ihiganwa nyezina mu matora,icuka kibi kirangwa n'ubwicanyi budatahuritse canke ndengerabutungane, ukuburwa irengero,ukuborezwa igufa hamwen'ugupfungwa biciye kubiri n'amategeko,hamwe n'iyibonekeje mu matora aheruka biguma vyisubiriza.

Ibintu vyatohojwe n'umuhari ITEKA mu ndwi yo kuva kuwa **14 gushika kuwa 20 Nyakanga 2026** bitegerezwa gusomwa muri ino shusho rusangi.Vyerekana ku rwego rw'igihugu,ingorane ziguma zibonekeza mu gihugu,bitanakunda ko babitorera umuti bonyene muri rusangi mu gihugu cose.

Muri kiringo cihwejwe, **umuntu 1 yarisshwe** mu mutego watezwe n'abantu batamenyekanye ku mutumba wa **Gisitwe,komine Kirundo.**Incuro nyinshi hakubaguwe abantu navyonyene vyaratohojwe.I **Bubanza** haravuzwe abantu benshi batewe mw'ijoro ku mugwa mukuru w' intara hamwe no ku bucimbiri buhegereye.Mu **Kabezi**, **Didace Nitunga** yaraturubitswe mu cuka c'indyane z'abubakanye hama arinjizwa ibitaro kubera amabi yakorewe.Mubintu biteye amakenga cane vyatohojwe muri iki kiringo harimwo kandi **ukuburwa irengero kwa Juste Ngarukiye i Gitega inyuma y'aho anyururijwe mw'ijoro ryo kuwa 9 Nyakanga 2026**, aho apfungiwe n'ivyamubayeko bitari bwamenyekane mugihe hatororokanywa amakuru.

Abantu 2 **bakorewe amabi afatiye ku gitsina** baratohojwe: uguhohoterwa ku rukoba mu cuka c'ukutumvikana mungone hamwe **n'ugushurashuza umwana w'imyaka 16 , R. I**, umunyeshure wo kw'ishure rikuru rya komine Kabezi. Ico canyuma ni n'ihungabanya ribabaje cane ry'agateka k'abana.

Uko **abantu bapfunzwe bamerewe** navyonyene biteye agahinda. **Mperabansi Jean**, afise imyaka 79 , yarapfuye mw'ijoro ryo kuwa **13 Nyakanga 2026**, ni ukuvuga imbere yuko ikiringo ca kino cegeranyo gitangura,haciye imyaka myinshi apfunzwe kandi asanzwe afise ubumuga butandukanye.Ku rundi ruhande,amasoko dukura mu mabohero hamwe no mu buvuzi amenye sha **abarenga 15 bapfuye mw'ibohero ry'iMuramvya kuva mu igice ca kabiri c'ukwezi kwa Rusama 2026**,hamwe n' abapfungwa **barenga 30 bariko baravugwa.**Ivyo bitigiri bifatiye hamwe vyerekanwa nk'ibigize icegeranyo kandi ntibiharurw mu bapfuye baharuwe bapfuye muri iyi ndwi.

Ku vyerekeye **poritike,** ibikorwa vyinshi vy'uguhimiriza vyarateguwe muri **zone Gisagara, intara ya Buhumuza**, mundwi yo kuva kuwa **14 guwana 20** Nyakanga 2026. Abarongozi mu ntwaro hamwe n'abarongozi ba CNDD-FDD baragirishije amanama ku mitumba itandukanye, mugihe urwaruka ruri mu mugambwe rwagiye mu bikorwa vy'ihimiriza hamwe n'iyandika ry'abatora ategekanijwe muri 2027 y'umukuru w'igihugu.Akamo kagamije kuronka amajwi **100 %** ku mugambwe uri ku butegetsi vyiswe n'imigambwe imwe imwe itavuga rumwe na Reta umwiyamamazo w'amatora hataragera.Ivyo bikorwa ni ibintu bikomeye mu cuka ca poritike yo mu gihugu amatora yimirije.

Ikiringo caranaranzwe n'ibikorwa vy'umutekano na poritike.Mu **Cibitoke**, hafi **Imbonerakure 600** zaritavye, kuwa 17 Nyakanga , umwimenyerezo bambaye umwambaro

w'ingwano,hafi ya Kongo kandi hegereye urubibe rw'Urwanda. **Igitega**, harabaye isaka mu mihana hamwe no mu mazu y'ubudandarizo y'abantu 2 bikekwako bacuditse na CNL.

Mu gisata c'**ubufasha**,abarundi birukanywe muri Kenya bongera bashika ku mupaka wa **Kobero, mu ntara ya Muyinga**, barashikirije ivyo babajijwe,ingorane z'ukwiyunguruza hamwe n'ugusabwa amahera bariko baragaruka.

Uburenganzira **ku ndero** buhungabana kubera ingorane z'indinganizo. Mu ntara ya **Buhumuza**, umuzo w'abana bavuye mu miryango y'abahungutse bava muri Tanzaniya wabaye mu buhinga bw'ishure bwagize ingorane zo kubura ibirasi hamwe n'intebe zirenga **48 000**,kubwo ibiharuro vyashikirijwe n'indongozi zo mu ntara.Kuri izo ngorane z'ibikoresho hiyongerako ukubura abigisha,bamwe bataye akazi kabo kugira baronerere amahirwe y'akazi mu mahanga. Mu yindi mihingo,nka **Burunga**,abavyeyi barashize ahabona intererano z' umurengera hamwe n'ibikoresho basabwa mu mashure amwe amwe.

Mu **Rumonge**,icika ry'umuyagankuba rikabije riguma rikora ku bikorwa vy'ubutunzi,ubuzi bw'amabanki hamwe n'buryo abanyeshure bo mu ndaro bigamwo.Mu kurangiza, kuwa **20 Nyakanga 2026**, uwundi muriro waravuzwe mw'ishamba cimeza rya **Bururi**. Ni umuriro ugira 3 waharuwe muri ico kibira kuva kuwa 23 Myandagaro 2026.Kubwo amakuru yatororokanijwe ,**ihegitari zirenga 10 zoba zarononekaye**.

Gutyo,bintu vyatohojwe muri iyindwi vyerekana ibintu bitandukanye ,ariko bihuriza ku kintu nyamukuru:**ugukingira biboneka agateka ka zina muntu biguma bifatanye n' umutekano w'abantu,ukuronka ubutungane,ukugurura urubuga rw'abigenga n'urwa poritike,hamwe n'ubushobozi bw'inzego za Reta mu kwishura ku vyo abanyagihugu bakenera** .

Iki cegeranyo gishira ahabona ibintu vyatororokanijwe hagati yo kuwa **14 no kuwa 20 Nyakanga 2026** gifatiye ku ntahe,amasoko hamwe n'amakuru duhabwa n'abantu biraba. Ibintu vyerekanwa mu kwerekana mu buryo bwose busoboka ibintu uko vyiganywe,ivyavuzwe n'indongozi hamwe n'amakuru atashoboye kwemezwa.Ivyabaye imbere y'ikiringo cakoreweko canke bivuye mu ruvange vyerekanywe ibigirankana kugira ntivyitiranywe n'amabi yatohojwe muri iyindwi.

# *I. UMWIHWEZO*

## *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE*

**Amatangazo y'igisirikare mu cuka kibi ca poritike**

Kuwa **25 Myandagaro 2026**,mw'ijambo ryavugiwe i Makamba, umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD, **Révérien Ndikuriyo**,yarashikirije ko hoba hari intambamyi y'imigwi igwana,atumirira gukoranya gushika ku barwanyi bashika **200 000**,ariko igitigiri nk'ico gishobora gutuzwa canke kigatikizwa mundwi zidashika 3. Naho iryo tangazo ryaje imbere y'iki cegeranyo,riguma riri kugihe kandi rikomeye kuvyerekeye icuka ca poritike hamwe n'umutekano ibintu vyinshi vyavuzwe muri iyondwi vyabereyemwo.

Kuwa **3 Nyakanga 2026**, amasanamu yerekanywe ku mugaragaro yaranerekanye umukuru w'igihugu, **Évariste Ndayishimiye**, hamwe n'umukuru w'ibiro bikuru vy'igisirikare c'Uburundi, **général Prime Niyongabo**, mu mwambaro w'igisirikare bifadikanije n'abantu berekanywe bagize FRAD. Ivyo bibaye mu gihe akarere karangwa n'imishamirano y'abarwanyi mu buseruko bwa Kongo.

**Ibikorwa vyo guhimiriza vya CNDD-FDD ku mitumba ya zone Gisagara mu ntumbero y'amatora y'2027**

Muri iki kiringo c'iki cegeranyo, ibikorwa vyinshi vyo kumenyekanisha no guhimiriza vya poritike vyarateguwe mu mitumba ya zone Gisagara, intara ya Buhumuza. Ivyo bikorwa,vyitabwe n'abarongozi baho hamwe n' abarongozi b'umugambwe CNDD-FDD, vyahengamiye nko ku mutekano,isuku,ugukingira ibidukikije hamwe n'uguhimiriza abanyagihugu mw'itegura ry'amatora y'umukuru w'igihugu mu mwaka w' 2027.

Kuwa **16 Nyakanga 2026**, umukuru wa zone Gisagara,ari kumwe n'umunyamabanga wa CNDD-FDD muri zone,yagirishije inama ku mutumba **Gerero**. Ibibazo vyinshi vyarizwe muri iyo nama,nk'akamaro ko kubungabunga amahoro n'umutekano ku mitumba,hamwe n'ukurikanura cane ku bantu batazwi mu micungararo yaho.Abayitavye baranahimirijwe gukora nyabarega,guca imiserege hamwe gutegura imiciro kugira bakinge imiriro ya Nyakanga,hamwe n'ukugira isuku ryaho.

Inama yarinafise igice giserura poritike.Abayitavye barahamagariwe gushigikira **CNDD-FDD mu matora y' umukuru w'igihugu ategekanijwe mu mwaka w' 2027**, n'intumbero berekanye yo kuronka amajwi **100 %** mu mugambwe.Kuwa **17 Nyakanga 2026**, igikorwa nk'ico carakozwe ku mutumba **Ramba**, hamwe n' ivyahigirwa bisa,bifadikanije ugukeburira umutekano,ingorane z'ibidukikije hamwe n'ihimiriza rya poritike.

Kuwa**18 Nyakanga 2026**, ku mutumba wa **Muganza**, komine Gisagara, urwaruka ruhurikiye muri CNDD-FDD rwarateguye,kuva igihe c'isaha **11 z'agatondo**,ukwinonora imitsi bambaye umwambaro w'umugambweUdupira bambaye kuri uwo musi twari twanditseko: **« Inkona ntiyaruzwa, Intsinzi ni 100 % muri 2027 »**. Muri ico gikorwa c'ukwinonora imitsi,abavyitavye bahuriye ku ngoro y'umugambwe ku mutumba Muganza.

Inama yari ifise nk'intumbero yo kwumvisha urwaruka kubungabunga amahoro n'umutekano,hamwe no guhamagarira urwaruka,be no ku buryo bwisanzuye,abanyagihugu gutora uwitoreje u bukuru bw'igihugu wo muri CNDD-FDD mu matora yo mu mwaka w' 2027. Urwaruka rwakwije imyaka yo gutora,harimwo n'abaheruka guhunguka,baratewe intege ngo biyandikishe ku ntonde z'abatora,mu ntumbero yerekanywe yo gufasha uwitoje wo mu mugambwe uri ku butegetsi kuronka amajwi100 %.

Kuwa **19 Nyakanga 2026**, CNDD-FDD yarabandanije ibikorwa vyo guhimiriza mu mitumba itandukanye ya zone Gisagara, nko muguhamagarira urwaruka rugeze gutora kwiyandikisha kugira bitabe amatora yimirije y' umukuru w'igihugu.Ukugwiza ivyo bikorwa vy'ihimiriza rya poritike hagisigaye amezi menshi ngo amatora abe ni ikintu gikomeyeImigambwe,nk'iyitavuga rumwe na Reta,fata ivyo bikorwa **nko kwiyamamariza amatora hataragera**. Uko bavyita vyerekana umwihezo wabo wa poritike kandi bibwirizwa kwitandukanya n' ivyibonekeza vyatohojwe n'amasoko y'iri tohoza.

Ishirahamwe,muri iyo nama,abarongozimuntwaro,inzego z'umugambwe,ibikorwa vy'urwaruka hamwe n' ubutumwa buvuga kuvyo amatora yo mu mwaka w' 2027 bisaba ko ryojaho mu gukwirikirana ivyo amatora. Vyerekana ihimiriza rya poritike ririko rikorwa ku mutumba,nko mu kwandika abazotora hamwe no kurondera gushigikirwa ku bwinshi mu mugambwe uri ku butegetsi.

**Ukugabisha k'intumwa idasanzwe y'ibihugu vyunze ubumwe ku bijanye n'agateka ka zina muntu mu gihe hegereje 2027**

Kuwa **18 Nyakanga 2026**,i Genève,intumwa idasanzwe y'ibihugu vyunze ubumwe ku gateka ka zina muntu mu Burundi, **Fortuné Gaetan Zongo**, yarashikirije umugwi ujejwe agateka ka zina muntu icegeranyo ciwe ca 2026, c'ijambo ry'umutwe **« Kuzitira utaronerwa »**. Ico gikorwa cagiye ahabona hasigaye n'imiburiburi amezi 8 ngo amatora y'umukuru w'igihugu ategekanijwe muri 2027 kandi cerekanye umwitwarariko mpuzamakungu w'agateka ka zina muntu mu Burundi.

Muvyo yashikirije,intumwa idasanzwe yarerekanye amakenga ku vyerekeye **ubwicanyi bwabaye ndanse, ukuburwa irengero,ukuborezwa igufa hamwe n'ihagarikwa riciye kubiri n'amategeko**,co kimwe n'ingorane zijanye n'itituka ry'umutekano mu bice bimwe bimwe vy'igihugu.Yaranakebuye ku biriko biraba mu bice biherereye ku rubibe rw'Uburundi na Kongo,nko mu bijanye n'ibirwanisho bitembera hamwe n'abarwanyi bahari bo mu migwi itandukanye yitwaje ibirwanisho.

Yishimikije nk'ibiharuro **vy'umuhari uharanira agateka ka zina muntu mu Burundi ITEKA**, intumwa idasanzwe yibukije **abantu 402 bishwe mu mwaka w' 2025 n'182 mu gice ca mbere c'umwaka w' 2026**.Yaranavuze ibiharuro bivuga abantu **55 babuzewe irengero mu mwaka w' 2025 hamwe n'abandi 25 mu gice ca mbere c'umwaka w'2026**.Ku rundi ruhande yarashikirije itorwa ry'ibiziga bitamenyekana ribandanya,rimwe narimwe bakabitora biboshe canke vyanizwe,hamwe n'ibinogo rusangi bibandanya bivurwa, ahamagarira gushiraho ubuhinga bwigenga bwo kubahamba,kumenya abishwe hamwe no kubika ivyemezo.

Ikibazo c'**uguhagarikwa n'ugupfungwa biciye kubiri n'amategeko** naco nyene yaragishimitseko bikomeye mw'ijambo ryiwe. Intumwa idasanzwe yaravuze ku busho butemewe n'amategeko buri mw'iperereza yongera avuga ibiharuro biva mu muhari ITEKA ku mahagarikwa aciye kubiri n'amategeko mu mwaka w'2025 hamwe n'igice ca mbere c'umwaka w' 2026. Yaranashize ahabona ibintu bibabaje mu mabohero,bitewe n'abapfungwa b' uburengera hamwe n'uko babayeho mu mabohero.

Intumwa idasanzwe vyongeye yarashikirije amakenga kuvyerekeye ubwigenge bw'inzego zimwe zimwe z'igihugu zijejwe gukingira n'uguteza imbere agateka ka zina muntu nk'**umugwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu(CNIDH)**hamwe n'**umugwi ujejwe ukuri n'ukurekuriranira (CVR)**. Yahamagariye guhindura ubuhinga bwo gushiraho abagize umugwi hamwe n'ugusuzuma vy'umwihariko inyifato y'umugwi CNIDH.

Ku bijanye n'amatora,icegeranyo ciwe carerekanye ibintu vyinshi bishobora kubangamira urubuga rwa poritike mugihe amatora yimirije yo mu mwaka w' 2027, nk' **ingwati y'100,000,000 fbu isabwa ku bipfuza kwitoza mu kibanza c'umukuru w'igihugu** hamwe n'ikumirwa riraba abantu bamwe bamwe bavuye mu mugambwe kandi bipfuza kwitoza nk' abigenga.Icegeranyo caranerekanye ikurwa ry'abaserukira imigambwe 5 mu manama amwe amwe y'umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora ku rwego rw'igihugu (CENI), kuwa **8 Rusama 2026**.

Amakenga adasanzwe yaragizwe mu gusozera ku ruhara rw' **Imbonerakure**.Intumwa idasanzwe yariganye ishirahamwe ryazo hamwe na bimwe mu bikorwa vyazo bisa n'ivya gisirikare yongera asaba ko bokurwako amabanga ajanye n'umutekano.Yaribukije gukomeza ikingirwa ry'amashure kubashaka gukurayo abana bajana mu migwi.

Kuri ayo makenga,intumwa idasanzwe yasavye inama y'agateka ka zina muntu kuguma **ikwirikiranira hagufi uko Uburundi bwifashe mugihe amatora yo mu mwaka w' 2027 wegereje**, korohereza ugusubira kugururira komisariya nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe ku gateka ka zina muntu mu gihugu hamwe no guteza imbere ibiganiro ku rwego rwo hejuru birimwo indongozi,abanyaporitike hamwe n'amashirahamwe yigenga.

## *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE (Ibikurikira urupapuro 8)*

Ayo makenga mpuzamakungu yerekana umwitwarariko ukomeye turavye ivyo umuhari ITEKA watohoje mu ndwi yo kuva kuwa **14 gushika kuwa 20 Nyakanga 2026**. Ibikorwa vyo guhimiriza vyibonekeje muri zone Gisagara, umwimenyerezo wagizwe n' **Imbonerakure zababa 600 mu Cibitoke**, isaka ryabereye i Gitega hamwe n'abakubaguwe benshi vyerekana ko ibibazo vyerekeye umutekano ,urubuga rwa poritike hamwe n'ugukingira agateka shingiro bigifatanganye muri kino gihe.Ivyo bintu vyonyene ntibikwiye kugira bifatirweko muri rusangi mu gihugu cose,ariko ni ibintu bisabwa gukwirikiranwa kandi itohoza rirabandanya mu gihe amatora yo mu mwaka w' 2027 yimirije.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

**Ihimirizwa ry' Imbonerakure hafi 600 mu Cibitoke**

Kuwa **17 Nyakanga 2026**, umwimenyerezo w'urwaruka rwitwa **Imbonerakure** warabaye ku mugwa mukuru wa komine **Cibitoke**,mu ntara ya Bujumbura, hafi y'uruzi Rusizi.Kubwo amakuru yatororokanijwe mu ma soko yaho,hafi **Imbonerakure 600** zaritavye iryo himiriza, zambaye umwambaro w'ingwano .

Umwiyerekano wabereye ku birometero bidashika **7 uja muri Kongo** hamwe no ku birometero **24 uja ku rubibe rw'Urwanda rwo ku Ruhwa**.Vyoba vyakoreshejwe na **Élysée Ngayempore**,umunyamabanga w' Imbonerakure mu ntara ya Bujumbura.Amasoko yaho yise iryo himiriza **« ukwerekana inkomezi »**.

Uguhitamwo CIBITOKE ntivyitayemwo: hari imiryango y'aba tutsi muri iyo zone, ahegereye ibice vyakozweko n'intambara mu buseruko bwa Kongo kandi hahana urubibe n'Urwanda. Kubwo amasoko menshi yaho,ivyiyumviro bimwe bimwe vyashikirijwe muri iryo himiriza vyafashwe nk'ukugabiasha bigirirwa « abasi »,muribo baravuga nk'aba Tutsi, u Rwanda hamwe na M23.

Abahaba barashikirije amakenga kuri uwo mwimenyerezo.Bamwe bafise ubwoba ko hogirwa canke hokomezwa urunani rubangabanganwa n'igisirikare c'igihugu rukoranya Imbonerakure, FDLR hamwe n'abahoze ku rugamba rwa CNDD-FDD.

Abanywanyi canke abakunda b'imigambwe itandukanye yo mu ntara ya Bujumbura,nka **FRODEBU**, **MSD, UPRONA** hamwe n'abo kwa **Agathon Rwasa**, baranerekanye amakenga yabo.Bamwe mu bavyumvirije barabigereranije n'ibihe vya kera vy'uruhagarara rukomeye mu karere.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO**(Ibikurikira ku rupapuro9)*

### Isaka ryakorewe abantu 2 bikekwa ko bakorana na CNL i GITEGA

Kuwa **15 Nyakanga 2026**, abaporisi bo kuri zone ya **Mubuga**,mu ntara ya Gitega, barikumwe n'abatware,barasatse mu mazu y'ubudandarizo hamwe n'imihana ya **Manirambona Jean Marie** na **Nsengiyumva Bosco**, ku mutumba Mubuga. Abo bagabo 2 bari bikekwa kugira imigenderanire na **CNL**.

Kubwo amakuru yatororokanijwe,abaporisi hamwe n'abatware ntibabonye ikintu na kimwe kibujijwe muri ivyo bikorwa. Ico gikorwa kirateye amakenga ku vyerekeye ukuntu isuzumwa rikorwa ku bantu bikekwa gucudika n'imigambwe itavuga rumwe na Reta.

### Iturubikwa riba kenshi mw'ijoro ku mugwa mukuru wa Bubanza hamwe no ku bucimbiri buhegereye

Mundwi yo kuva kuwa **14 gushika kuwa 20 Nyakanga 2026**,abantu benshi barafashwe nabi bongera barakubagurwa ku murwa mukuru w'intara ya **Bubanza hamwe no** mu bucimbiri buhegereye. Mu babikorewe bamenyekanye harimwo **Jean de Dieu Ntakarutimana**, akiriko aravurirwa ku bitaro vy'i Bubanza kubera yakomeretse bikomeye, **Inge Kersy Ndayizeye**, umugabo yitwa **Kabera**,hamwe n'umukukuruke n'umusore imyidondoro yabo itaramenyekana.

Kubwo intahe zatororokanijweho,ayo mabi akorwa mw'ijoro n'umugwi urongowe na **Moïse**, uwutwara Imbonerakure muri karatiye Bubanza. Abahohotewe ni abanyagihugu basanzwe bamwe muribo ari abanywanyi ba **CNDD-FDD**. Ibintu biba ,kubwo intahe dukurayo,ahantu hahurira abantu benshi mu gisagara hagati kandi abaporisi babona.

Ikintu kidasanzwe cabaye kuwa **17 Nyakanga 2026 ku gituro c'imodoka co mu gisagara ca Bubanza**. Uwitwa **Moïse** yaraha kubaguriye uwuvuka ku mutumba Ruvumvu. Uwakubaguwe yaratwawe aho bakirira imbabare mu bitaro vyaho kubera yari yakomeretse bikomeye.Kubwo intahe ,abajejwe umutekano bari bahari igihe vyaba,ariko uwikekwako icaha ntiyahagaritswe.

Kubera itituka ry'umutekano,uwutwara karatiye Bubanza yarahamagaje inama ya bose ku musi wa **gatanu igenekerezo rya 18 Nyakanga 2026**.Muri iyo nama,abahaba baranegue bivuye inyuma ikubagurwa ryo mwijoro hamwe n'ingaruka mbi ku mutekano w'abantu. Urwaruka rw'Imbonerakure narwo rwarihakanye ayo mabi kandi rwasavye guhagarika ubwonyene amabi.Uwuserukira ngaho CNDD-FDD yatangaje ko abakora ivyo vyaha botegerejwe guhanwa hakwirikijwe amategeko,avyemeza ku mugaragaro: « Si abanywanyi bacu,sindabazi mu mbonerakure zacu».Mugihe co gutororokanya amakuru,ntabutungane buriko burakurikirana abantu bavyagirizwa bwigeze buvugwa.

## *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO*

**Uguharura ingo hamwe n'ukumenya abakeneye ifumbire ku mitumba**

Kuwa **17 Nyakanga 2026**, i Gitega, umukuru w'igihugu, **Évariste Ndayishimiye**, yaragirishije inama ababuramatari hamwe n'abasitanteri. Muri iyo nama,yasavye ko ,mu ikiringo c'indwi,umutumba wose woba ufise agatabu karimwo urutonde rw'abantu bahaba hamwe n"uko ifumbire umuhana wose ukeneye ingana.

Umukuru w'igihugu yasavye abarongozi,kuva ku rwego rw'intara gushika ku rwego rw' umutumba, kugira vyihuta izo ntonde kugira ubushikiranganji bujejwe uburimyi bushobore kugira ibiharuro bitomoye kw'ifumbire ikenewe.Yarananeguye ukungene ifumbire yaguzwe na Reta itangwa babicishije ku mashirahamwe yigenga,akabona ko ubwo buhinga bukamira mu coze igurishwa mu kinyegero canke gusubira kuyigurisha ku biciro vy'umurengera ku banyagihugu.

Kuvyo ivyashikirijwe,ukutagira intonde zitomoye za buri mutumba ni imwe mu ntambamyiziri mugutegura n'ugutanga iyo fumbire.

**Umugambi wo gutunganya ibibanza vy'amakomine vyagenewe kuberamwo imisi mikuru hamwe n'ibikorwa bikoranya abanyagihugu**

Muri iyo nama nyene,abayitavye bararavye amareresi yerekana umugambi w'integuro,muri buri komine,y'ibibanza vyagenewe imisi mikuru y'igihugu itegerezwa co kimwe n'ibikorwa bitandukanye bihuriramwo abanyagihugu canke ivyo urudandazwa.Ivyo bibanza,biboneka nk'ibibanza vy'imisi mikuru hamwe n'ihayanishwa gurishwa,vyotegurwa mu bice bibiri.
Igice cambere coheberwa kahise k'Uburundi,kirimwo ivyibutso bijanye n'ivyo abami hamwe n'incungu z'igihugu.Ica kabiri coba cagenewe urunganwe rushasha kandi cogira nk'inyubakwa y'ugusomeramwo ibitabo hamwe n'ikibanza cagenewe ibikorwa vy'ukwinonora imitsi.
Umukuru w'igihugu yaranahamagariye abarongozi gukwirikirana igikorwa co kurwanya ukukurenza urugero mu kunywa ibiboreza,yerekanye nk'ingorane ku magara y'abanyagihugu, ku imiryango no kw'iterambere ry'igihugu.

## *I.4. UMWIHWEZO W'UBUFASHA*

**Ingorane z'abarundi birukanywe muri Kenya**

Abarundi birukanywe muri Kenya bakanashika ku mupaka wa **Kobero**, mu ntara ya Muyinga, baragize ingorane nyinshi bagarutse.Kubwo intahe zarorokanijwe,abaporisi hamwe n' Imbonerakure ziri ku mupaka zarabajije abantu birukanywe ku mwidondoro wabo,imiryango yabo hamwe n'ubucuti boba bafitaniye n'imigwi irwana.Abantu bamwe bamwe barabajijwe ko bashobora kuba bacuditse na **Red Tabara**.

Abantu batagira karangamuntu baragizweko amakenga bidasanzwe,n'igihe harimwo abafise abafise agatabo k'inzira katanzwe n'abaserukizi b'igihugu.Abantu bari bafise inkovu ku rukoba baranabajijwe n'icaziteye,bamwe mubo bavuganye bashaka kumenya ko boba bakomerekeye mu migwi igwana.

Bamwe mu ngenzi baratangaje ko basabwe gutanga igiturire kugira babandanye urugendo. Ukubura igitoro kwaranatumye ingendo zigorana.Abantu bamwe bamwe barekuwe batevye baruhiye kwikora ku mapikipiki mu kubandanya urugendo.Izindi ntahe zimenyesha ibintu vyatakaye canke basize bagarutse hamwe no kwakwa ayandi mahera ku kirindiro c'imodoka i Muyinga.Izo ntahe zishira ahabona ingorane zidasanzwe ku bantu birukanywe,nko mubijanye no gusuzuma, z'ukwiyunguruza hamwe n'izo gutora ibintu vyabo.

### *I.5. UMWIHWEZO W'IBIDUKIKIJE*

**Uwundi muriro wadutse w'ishamba cimeza rya Bururi**

Kuwa **20 Nyakanga 2026**, hafi y'isaha **10**, uwundi muriro wradutse **mw'ishamba cimeza** rya **Bururi**, mu gice c'ubumanuko bushira uburengero. Abanyagihugu,abakozi bajejwe gukingira ishamba n'abaporisi baratabaye mukuza kuzimya umuriro.Mu gihe co gutororokanya amakuru,abaturiye uwo muriro ntibari bwamenyekane.

**Ni incuro igira gatatu umuriro waduka mw'iryo shamba kuva kuwa 23Myandagaro 2026**.Kubwa **Jérôme Nishishikare**, amahegitari arenga **10** yaramaze guturirwa n'umuriro. Igarukagaruka ry'umuriro birabangamira ibinyabuzima bitandukanye hamwe n'itunga kama.Musitanteri wa komine Bururi, **Godelieve Ntakirutimana**,yahamagariye abanyagihugu kuba maso no gukorana n'indongozi mu ntumbero yo kumenya abaturira uwo murirokandi kugira babashengeze imbere y'ubutungane.

## *II. UBURENGANZIRA BWO KWIGENGA NO MURI PORITIKE*

### *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

#### *II.1.1. UMUGABO YISHWE MU KIRUNDO N'ABANTU BATAMENYEKANYE*

Kuwa **18 Nyakanga 2026**, ku mutumba **Gisitwe**, muri zone ya **Mugendo**,muri komine **Kirundo**, mu ntara ya **Butanyerera**, **Nkeraguhiga Pierre**, w'imyaka **54** , umurimyi , yarishwe mugihe yaratashe muhira iwe inyumayo kumara umunsi ku murwa mukuru wa Gisitwe. Yarikumwe na **Nibigira**, umukuru w'Imbonerakure ku mutumba Gisitwe. Abo bantu 2 baguye mu mutego watezwe n'abantu batamenyekanye.

**Nkeraguhiga Pierre yicishijwe umupanga.** Inyuma y'iryo bara , **Nibigira yarahagaritswe n'igiporisi ku mvo z'amatohoza** . Mu gihe co gutororokanya amakuru,abantu bateze uwo mutego n'imvo z'ubwo bwicanyi ntiziramenyekana.

#### *II.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO*

**Ukuburwa irengero rya Juste Ngarukiye i Gitega**

Kuwa **9 Nyakanga 2026, hafi isaha imwe y'igitondo, ndetse na hafi y'isaha zibiri,**Juste Ngarukiye, umwigisha wo kw'ishure nkuru ya komine Mbuye,afise ubunywero kuri paruwase Saint-Pierre-Claver yo mu Kivoga kandi agakorana n'urundi rudandazwa ku **Rubuye, muri karatiye Musave, muri zone ya Magarama i Gitega**,yoba yafashwe mu gihe yari aho adandariza,avuye ku kazi. Kubwo amakuru yatororkanijwe ku mugore wiwe, Diane, **abantu babiri bambaye umwambaro w'igiporisi,barikumwe n' uwitwa Désiré, w' Imbonerakure yo kuri Place , hamwe n'uwurongoye iperereza mu Magarama**, boba baje kumuhagarika hanyuma bamujana ahantu hataramenyekana. Umukuru wa zone Mbuye yamenyesheje umuryango ko abamutwara bamenyeshejwe imvo zo kumuhagarika,zoba zijanye **n'ukwiyunguruza kenshi kwa Juste Ngarukiye hagati Gitega, Mbuye na Muramvya**. Ariko yoba yararemesheje abamwegereye mu kumenyesha ko uwo yanyurujwe ko ari umuntu azwi,nko kumvo z' amabanga afise muri paruwase Saint-Pierre-Claver yo mu Kivoga.

Ivyakozwe kuva ico gihe kugira bamurondere ntaco vyafashije mu kumenya neza aho **Juste Ngarukiye ari ntan'uwuzi aho yoba apfungiwe. Kuwa 11 Nyakanga 2026,**incuti ziwe, zoba zaramenyeshejwe ko yoba ari mw'iperereza i Gitega. Amasuzuma yakorewe muri ico gisata ntiyashoboye kwemeza iyo nkuru.Inyuma yaho,ayandi masoko yamenyesheje ko yoba yarungitswe i **Bujumbura,**mugihe amatohoza yakorwa ku bantu batandukanye boba baragize ico babivuga batavyemeza neza ko bishoboka ko yoba apfungiwe mw'i **perereza i Gitega**. Inyishu zatanzwe zagumye zivuguruzanya,banwe mubo twavuganye bamenyesha ko ataco babiziko hanyuma bakabarungika ku yandi masoko.

## *II.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO(Ibikurikira ku rupapuro rwa 12)*

Gutyo,**iminsi myinshi inyuma y'ukuvuga ko yahagaritswe,ntamakuru n'imwe yo kumugaragaro kandi atohojwe yoba yaratanzwe avuga ipfungwa rya Juste Ngarukiye,uko amagara yiwe yifashe canke ko hari urubanza rumwagira.** Urwo rukurikirane rw'amakuru atajanye,yegeranijwe kubera ukubura inkuru y' imvaho kuvya mushikiye,bishira umuryango wiwe mu rwikenko no mu makenga menshi ku magara yiwe ndetse n'umutekano wiwe.Turavye amakuru yageranijwe, **imvo z'ukwo guhagarikwa hamwe n'ukubura amakuru ataohojwe ku hantu hoba hari Juste Ngarukiye biteye umutima uhagaze ko yoba yaranyurujwe, dufatiye ku kugenzura vyigenga no kumenya ababikoze.**

Umuhari ITEKA wibutsa indongozi zibifitiye ubushobozi **gutanga umuco ku mvo z'ihagarikwa,kumenyesha aho apfungiwe nimba vyukuri apfunzwe ,gufasha umuryango kuronka amakuru atohojwe ukwo amerewe hamwe no kumukingira ndetse no kwubaha uburenganzira nshingiro.**

## *II.1.3. URUPFU RW'ABAPFUNGWA KUBW'ISUKU RIKE N'AMAGARA BITEYE UMUTIMA UHAGAZE*

⇒**Urupfu rwa Mperabansi Jean ku bitaro vy'i Gitega**

Mw'ijoro ryo kuwa**13 Nyakanga 2026**, ni ukubuga buca hatangura ikiringo c'iki cegeranyo,soit , **Mperabansi Jean**,w'imyaka **79**,yarapfiriye ku bitaro mpuzantara vya Gitega inyuma yo kuhamuzana inyuma y'umutanga.Ava i **Nyarusange**, muri komine ya **Gishubi**, intara ya Gitega, Amasoko yacu avugako yari umunywanyi wa CNL kandi ko yamaze **hafi imyaka cumi mw'ibohero.**

Yarafise nk'ingorne y'umutima,amafyigo n'igitigu. Kubwo umwe wo mu bakozi bo mw'ibohero, Mperabansi Jean yaguma asaba ko bomujana kwa muganga. Indwi imbere yuko ashengera,inyuma yoguta ubwenge,yari yajanywe kwa muganga i Gitega imbere yo guhambwa amategeko yo gusubira mu gasho.

Iryo soko nyene ryemeza ko ubufasha bwo kuvuza abapfungwa budakwiye. Abakozi bo mw'ibohero berekana ko badashaka kuvuga kuri ivyo bibazo mu gutinya gutotezwa,cane cane iyo ari abapfungwa batari mu mugambwe CNDD-FDD. Amakuru twatororokanijwe amenyeshako uburyo bapfunzwemwo hamwe no kuvurwa biteye amakenga menshi.Amatohoza yofashije kumenya neza imvo zoba ziri inyuma y'urwo rupfu no kuraba ko imiti umupfungwa afitiye uburenganzira yayironse..

⇒**Abapfungwa barenga 15 bapfiriye mw'ibohero rya Muramvya**

Isuku ryo mw'ibohero rya **Muramvya naryo** riteye umutima uhagaze gushika ubu**.** Ku bwo amasoko yo mw' ibohero no kwa muganga, **abapfungwa barenga 15 barapfuye kuva mu gice ca kabiri c' c'ukwezi kwa Ruheshi 2026,**mu gihe abarenga mirongo itatu **bariko baravurwa.** Abantu barwaye baba bafise kenshin' umutwe no kubura akayabagu.Imvo nyayo ntawurayimenya. **Muri 15 bavuzwe,munani bapfuye bashitse ku bitaro i Muramvya**, Mugihe abandi bapfiriye mu gasho. Amasoko yo mw'ibohero amenyesha ko imiti ihari igarukira kuri **paracétamol** kugira bagabanye ubushuhe.Kuvyerekeye gufungura nahonyene biteye umutima uhagaze.

### *II.1.3. URUPFU RW'ABAPFUNGWA KUBW'ISUKU RIKE N'AMAGARA BITEYE UMUTIMA UHAGAZE*

*(Ibikurikira urupapuro12)*

Kubwo ayo masoko,abapfungwa ntibaronse i ibiharage **ukwezi kurenga**. Izo mfungurwa zidakwiye bituma haba ugusubira inyuma muri rusanga ku bapfungwa bamwe bamwe basanzwe barafashwe n'indwara.Abajejwe ivy'ubuzima mw'ibohero barateye akamo ubushikiranganji bw'amagara y'abantu kuri ivyo bintu.Hafatiwe ku bitigiri vy'abamaze gupfa,ku bitigiri vy'abapfungwa barwaye hamwe n'ukubura imvo iboneka,amatohoza ajanye n'ubuvuzi yimbitse arakenewe kugira hamenyekane ico izo ndwara ziturukako no kurimbura ukwo bafungura n'isuku abanyororo babayemwo.

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGUBAGURWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO*

### *II.2.1. UGUKUBAGURWA KU RUKOBA*

**Ugukubagura Didace Nitunga mu rugo**

Kuwa **17 Nyakanga 2026**, hafi y'isaha**zine z'ijoro**, **Didace Nitunga**, aba ku gacimbiri ka **Mugongo**, umutumba **Kabezi**, muri komine **Mugere**, mu ntara ya Bujumbura,yarakubaguwe cane. Kubwo icabona ciwe, **Méthode Nkunzimana**, ari nk'indongozi y'imbonerakuri muri ako karere,yananye n'abantu benshi mugihe hari imishwano mu rugo. Didace Nitunga yikekako Méthode Nkunzimana afitaniye imigenderanire n'umugore wiwe. Mu gihe co gushwana ,umugore wiwe yahamagaye Méthode Nkunzimana. Uwo nawe yaje arikumwe n'abantu benshi.Kubwo uwo yakubaguwe,abo bantu baramukubise atanuko bumvirije indandaro y'iyo mishwano.. Didace Nitunga yajanywe **ku bitaro vyo mu Kabezi**, aho yavuriwe kandi niyo yarakiri igihe twaronka iyi nkuru.Kubwo amakuru twaronse, **Méthode Nkunzimana aracidegemvya**.

### *II.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA*

**Ugufatwa ku nguvu : ugushurashuza umwana akiri muto**

Kuwa **17 Nyakanga 2026**, ku mutumba **Kabezi**, muri zone ya Kabezi,intara ya Bujumbura, **R. I.**,w'imyaka **16** , umunyeshure wo mu mwaka wa kabiri inyuma y'ishure nshingiro **kw'ishure rikuru rya komine Kabezi**, yarashwe ku nguvu. Kubwo amakuru yatororokanijwe,uwo mukobwa yari yagiye muhira kwa **Théophile Ndikumana**,umukozi akora ku kirindiro co kwubaka **kw'ibarabara nomero 3 Gitaza–Kabezi**, agiye kumutemberera.

Aho niho yashurashurijwe. Inyuma yaho, R. I. yavujwe ku **bitaro vyo mu Kabezi**. Uwikekwako icaha yarahunze inyuma yo kumenya ko vyamenyekanye kandi ko ariko araronderwa.Ivyo bigize **kuba ari gushurashuzwa kandi ni amabi afatiye ku gitsina**. Kandi ni umwana akiri munsi y'imyaka 18,haca hakenerwa ingingo zidasanzwe zo gukingira no guherekezwa.

Ivya **R. I.**, w'imyaka 16 ,ni uguhonyaga agateka k'abana. Ugufasha uwo mwana ntivyotegerejwe guherana n'ukuvugwa gusa. Ubufasha bwotegerejwe kandi kujana no guherekezwa mu bijanye n'inyifato,ugukinga ko hashobora kwaduka ukwirukanwa canke ugukumirwa hamwe no gushikira ubutungane.Ukubandanya amashure no gukingira agateka kiwe navyo vyfatirwako mugukurikirana urubanza rwiwe.

## *III.1. UBURENGANZIRA KU NDERO*

### Intererano y'amahera n'ugutegekwa gutanga ibikoresho mu mashure y'i Burunga

Intango y'umwaka w'ishure 2026–2027 yabaye kuwa 14 Nyakanga 2026. Iminsi ine inyuma yaho,abavyeyi benshi bo mu ntara ya **Burunga** bamenyesheje intererano y'amahera hamwe n'ibikoresho mu mashure amwe amwe nk'i Nyanza n'i Makamba.

I **Nyanza**, abavyeyi bamenyesheje intererano zisabwa mu mashure amwe amwe y'intango ya Reta.Muri **ITABU Gifuruzi**, ivyandiko bijanye n'umwaka w'ishure 2026–2027 vyanditseko nk' amahera **62 000 FBu** na **362 000 FBu** ku mice imwe imwe n'impapuro,ndetse n'amahera angana **46 000 FBu agenewe inyubako**. I **Mukungu I**,intererano y'amahera **8 500 FBu ku mwana yarasabwe** y'inyubako, ugugabangana intebe hamwe no kuzakira. I **Mukungu II**, amahera yasabwe ni **5 000 FBu**.

Abavyeyi bamwe bamwe bamenyeshako intererano zasabwe i Mukungu I zatanguranye n'igice ca gatatu c' umwaka w'ishure **2024–2025** kandi ziraba imice itandukanye y'abanyeshure. Abavyeyi bipfuza kumenya imvo y' izo ntarerano.ko ari itegeko canke ko ari ubushake,iyo zija hamwe n'ingene ayo mahera begeranya akoreshwa.

### Itegeko ry'inyambaro n'indero i Makamba

Muri zone ya **Makamba**, uwurongoye igisata c'ubuhinga nk'indero,ukwinonora imitsi n'ibibazo vy'imibano n' imiko kama, **Nkunzimana Emmanuel, alias Nyokoman**, yatanze itangazo riraba uko abanyeshure bazotonda bameze. Itegeko risaba ko kwambar **cibirato bifutse n'amasheseti yera,hamwe no kwimosha imishatsi** umunsi wo gutangura ishure . Ukwo kwimosha kuzoba iminsi yose **hagati y'umunsi wa 5 n'uw'icumi buri kwezi**.Ibihano vyaramenyeshejwe ku ndongozi z'amashure zitazokurikiza ayo mategeko.

Urutonde rw'ibikoresho vyarabwe kuri ITABU Gifuruzi harimwo nk' : isuka ku banyeshure bashasha,indobo

### Ibikoresho bisabwa kuri ITABU Gifuruzi

y'amaritiro 10 ,akadumu k'iritiro 5,amasahani,ibiyiko,igikombe,umwambaro w'ishure,ibirato bifutse,amasheseti yera,umusipi,ikaravati,amashuka,igitambara co gufuka umuryangi canke idirisha,ibikoresho vy'isuku,ikaye y' imigenderanire,umuti w'amenyo,ubutabu bwo kwivurizako. Mu mashure amwe amwe yigenga y'i Burunga, amahera ari hagati ya **10 000 na 20 000 FBu** yarasabwe kandi,nko mu kwiyandikisha canke muguterera inyubako. Indongozi z'i Burunga bibutsa ko ukwandikwa mu mashure ya Reta bidategerezwa gukorwa ari uko harishwe intererano kandi ko abavyeyi bategerezwa kujamwo mu ngingo ziraba itunganywa ry'amashure

Ishirahamwe **Bafashebige** ryibutsa kwongereza umuco hamwe no gukorera ku mugaragaro mu gushiraho no mugukoresha intererano,mugusaba nko mugutandukanya ivyankenerwa nyakuri vy'amashure n'amahera asabwa imiryango.

Intango y'ishure ryahuye n'ukubura inyubakwa,intebe n'abigisha mu ntara ya Buhumuza

Indwi imwe inyuma yo gutangura umwaka w'ishure 2026-2027, yatanguye kuwa **14 Nyakanga 2026**, mu ntara ya Buhumuza ifise ingorane zikomeye zishobora gukora ku buro bwo kwiga. Kubwo kubura inyubako z'ishure buri gihe hamwe n'intebe hiyongerako ibitigiri vyinshi vy'abana vyavuye mu miryango y'abarundi bahungutse bava muri Tanzaniya,vyongereza ingorane zikomeye ziri mu gisata c'indero gisanzwe kibuze ibintu bitari bike.

Amakomine ya **Gisagara na Butihinda** harimwo mu mazone arabwa cane n'ivyo bintu,kubwo amakuru yatororokanijwe mu ntwaro zo mu ntara .

Abanyeshure baherutse gushika bava nko mu nkambi za **Nduta na Nyarugusu**,muri Tanzaniya, aho iyugarwa ryayo ryakurikiwe n'ukugaruka kw'abarundi benshi. Mu ntara ya Buhumuza, yakiriye igice kinini c'abahungutse, ugusubizwa mu buzima busanzwe birateye ingorane intambamyi cane cane mu gisata c'indero.

Mu nama yakoreshejwe kuwa 3 Nyakanga 2026 n'indongozi mu ntara,buramatari wa Buhumuza **Denise Ndaruhekere**,yaremeye ko indongozi zitari ziteguriye bikwiye umuzo w'abo banyeshure bashasha.

## *III.1. UBURENGANZIRA KU NDERO* *(Ibikurikira urupapuro15)*

Ariko yaremeye ko abo bana bafise uburenganzira ku ndero kandi yemera ko atamunyeshure numwe azotegerezwa gukurikira ivyigwa yicaye hasi. Ivyo yavyemeye mu gihe hari igihengeri gikomeye c'intebe. Mu mwaka uheze,intara yabura **intebe zirenga 48 000.**Umuzo w'abanyeshure bashasha birahakwa kwongereza kandi ibitigiri vy'umurengera ku mashure asanzwe afise ingorane zo kubura intebe n'ibirasi vyo kwigiramwo.

### Icerwa ry'umugambi wo gukora intebe

Mugutorera umuti iryo kena,umugambi wa Reta wo gukora intebe uriko urarangurwa mu ntara. Naho biri uko,kubwa buramatari Denise Ndaruhekere, uwo mugambi wracerewe,cane cane kubera ingorane zo kuronka umuyagankuba n'igitoro gikenewe mu gukora ivyankenerwa bikoreshwa mu kuziteranya. Umupfasoni Buramatari yamenyesheje ko ibikorwa vyategerezwa kuba vyaheze imbere yuko umwaka w'ishure 2026-2027 utangura. Yarasavye kandi abantu bajejwe guzikora kwubahiriza umuderi n'amategeko yashizweho n' indongozi,intebe zidakwije ibisabwa zitegerezwa gusubirwamwo.

### Intambamyi mu gushira mu mashure abana bahungutse

Inyuma y'ikibazo c'intebe,umuzo w'abanyeshure bashasha birateye kandi ingorane y'ubushoboi bwo kubakira mu mashure.Iduga ry'ibitigiri mu mashure asanzwe afise ingorane z'ubukene bw'ibirasi,ibikoresho n'uburyo ni intambamyi ziyongera ku ndongozi zo mu ndero

### Ubukene bw'abigisha , ingorane ikomeye

Kuri izo ngorane z'ibikoresho hiyongerako ubukene bw'abigisha. Mu gihe c'iyugurura ku mugaragaro umwaka w'ishure **2026-2027**, kw'ishure rya **CFP i Bisinde, muButaganzwa**, umushikiranganji w'indero , **François Havyarimana**, yaramenyesheje ingorane igisata c'indero gifise,mu gihe intara ya Buhumuza yakiriye abahungutse bava mu gihugu ca Tanzaniya hamwe n'impuzi z' abakongo.

Umupfasoni buramatari **Denise Ndaruhekere** yaramenyesheje ubukene bw'abigisha,bivuye nko kw'igenda ry'abigisha muri bo harimwo abaja hanze bagiye kurondera aho ubuzi bugendeka. Ivyo ni iyindi ngorane y' amashure,ategerezwa kwakira ibitigiri bishasha n'ingorane z'ubukene bw'abigisha.Ubukene bw'uburyo ntibugarukira ku kibazo c'itangwa ry'akazi.Muri iyo ntumbero,akamo k'indongozi karatumye ugukora intebe binyaruka no gukomeza ubushobozi bw'amashure kabonetse nk'intumbero ikomeye yo kwemerera abana ibemerera uburyo bwo kwiga bujanye n'uburenganzira bwabo ku ndero.

Birerekana kandi n'ubushobozi bwo kugumya abakozi babwo mu gihe abigisha bariko bagenda mu bindi bihugu.

Ukwakira abana bavuye mu miryango y'abahungutse ni ikintu kitoroshe muri ntango z'uyu mwaka w'ishure. Bamwe muri abo bana bamaze imyaka myinshi muri Tanzaniya, bamwe bavukiyeyo canke bakurira mu nkambi z'impunzi. Ukugaruka kwabo mu Burundi bisaba ukumenyereza kw'ishure,intwaro,ururimi n'ikibano. Ku ndongozi z'igisata c'indero,intambamyi ziri ku bwinshi bw'abo bana bwiyongera ku ngorane abanyeshure basanzwe bahiga bahura nazo mu mashure yo muri Buhumuza. Ivyibonekeza muri iyo ntara bishira imbere ibintu bibiri bisabwa: **Kwakira no gushira mw'ishure abana bahunze mu guteza imbere uburyo bwo kwiga ku banyeshure bose muri Rusangi.** rUgushobora gushira mu mashure abo bana bizoana n'ibirasi bihari, intebe ,ibikoresho mfashanyigisho n'abaigisha bakenewe bakurikirana ivyo bitigiri bishasha.

## *III.2. UBURENGANZIRA KU RUGEZO RW'UBUZIMA BUBEREYE*

**Icika ry'amatara ryahungabanije ibikorwa vy'ubutunzi n'imibano mu Rumonge**

Mu **Rumonge**,mu ntara ya Burunga, icika ry'amatara rirabandanya ukwezi kurenga kandi bigakora cane ku mirimo y'ubutunzi n'ikibano. Abahaba bamenyeshako mu muji hagati atamatara atanzwe na **REGIDESO** baronka **kiretse isaha canke amasaha abiri.** Ibikorwa vyakozweko harimwo nko:ugusudira,urusyo,abadandaza amata,ugukora amasabuni,abamwa n'abakora imishatsi y'abagore,amabanki n'ibigo vyo kuziganya no kuguranana.

Abacuruzi bemeza ko imirimo yabo yarahungabanye **kuva hafi ukwezi n'igice**. Bahura n'ingorane zo gushobora kuronka ivyankenerwa imiryango yabo,guhemba abakozi babo no kuriha amahera y'inzu. Imiryango ifise amikoro make yrakozweko cane. Amabanki n'ibigo vyo kuziganya no kuguranana akoresha imashini ikoresha igitoro kugira imirimo yabo ibandanye. Naho biri uko,ikena ry'igitoro rituma uwo kwirwanaho bizimba cane. Abadandaza bamwe bamwe bagura igitoro kw'isoko rya magendo .aho **iritiro imwe n'igice rigurwa hagati y'amahera 18 000 na 25 000 FBu**. Ntakintu nakimwe REGIDESO yari bwakore mugihe co gutororokanya amakuru.

**Ingaruka ku mashure**

Icika ry'amatara rirakora kandi kw'ishure **rikuru rya Rumonge** n' **Ishure rikuru rya Al Maktoum**. Ukubura umuco birahungabanya ugucunga abana mw'ijoro ndetse n'umwanya wo kwiga ku banyeshure bo mu ndaro.Abanyeshure bamwe bamwe bategerezwa kuja mu buryamo bwabo. Indongozi z'amashure batinya ko hazogabanuka umwanya wategekanijwe wo kwiga hamwe n'umwimbu.

## *IV. GUSOZERA*

Indwi yo kuwa **14 gushika kuwa 20 Nyakanga 2026** ishira imbere ibintu aho amakenga ajanye n' uburenganzira bwa zina muntu butagarukira ku bintu biri ukwavyo. Amabi yatohojwe muri iki kiringo: Umuntu umwe yarishwe,hahohoterwa abantu benshi,incuro 2 z'amabi afatiye ku gitsina,harimwo 1 avugwako akiri muto,ndetse n'amakenga abandanya ku buryo abantu bapfunzwemwo,vyerekana ko hakenewe gukomeza ugukinga,ugukingira abakorewe amabi no gushikira ubutungane.

Indwi yaranzwe kandi **n'iburwa irengero rivugwa kuri Juste Ngarukiye i Gitega**, aho aho apfungiwe n'uko ameze bitazwi inyuma y'iminsi myinshi inyuma yo guhagarikwa. Ivyo vyerekana ingorane zishobora kwaduka zijanye n'ukubura amakuru yo kumugaragaro kandi y'izewe araba abantu bapfunzwe kandi bishimangira ko hakenewe indongozi gushira ahabona abahagaritswe bose,gufasha gushikira ubutungane n'uguha amakuru imiryango.

Kuri ayo mabi hiyongerako amakenga ajanye na poritike n'inzego. Ibikorwa vyo kurarikira abantu kwitabira amatora bimaze kwibonekeza mu mitumba myinshi yo muri zone Gisagara, ukwerekana ubushobozi ku mbonerakure zingana hafi 600 mu Cibitoke n'ibikorwa vyo gucungera canke vyo gusaka bivugwa i Gitega vyerkana ko ,amezi menshi imbere y'amatora y'umukuru w'igihugu yo muri 2027, igisata ca poritike n' umutekano bitegerezwa kwitabwaho cane.

Ivyo vyibonekeje aho bisa n'amakenga yashikirijwe,kuwa **18 Nyakanga 2026**, imbere y'inma y'agateka ka zina muntu kubwo **Umuvugizi ntayegayezwa w'Ibihugu Vyunze Ubumwe ku vyerekeye agateka ka zina muntu mu Burundi**. **Akamo kiwe ku gikowa co gukinga imbere yuko icuka kiba kkikagorana gukuraho** bitanga akamaro gakomeye ku matohoza akorwa ku gihe kandi neza ku bintu biri ku rubuga.

Igisata c'imibano cerekana,intege nke zidashonora kuvana n'ibintu muri rusangi vy'agateka ka zina muntu. Mu ntara ya Buhumuza,umuzo w'abanyeshure bashasha bava mu miryango y'abahungutse bava muri Tanzaniya washitse mugihe hari intambamyi nyinshi zo kubura ibirasi vy'amashure,intebe n'ugukena kw'abigisha.Mu Rumonge,icika ry'amatara ryisubiriza,bikora haba ku bikorwavy'ubutunzi n'imibano bigize igihe gikomeye co gutekana n'ukubana neza n'ababanyi. Igarukagaruka ry'umuriro mw'ishamba cimeza rya Bururi biza kwibutsa ko ugukingira agateka ka zina muntu bitegrezwa gushiramwo ugukingira ibidukikije hamwe n'ubutunzi kama biva mu bigo.

Muri iyo tumbero,umuhari ITEKA ufata ko umwanya w'ubu **uhamagarira gushiramwo inguvu, amatohoza abandanye hamwe n'ingingo zo gukinga ziboneka**,cane cane mu ntumbero y'ikiringo c'amatora yo muri 2027.Ugukinga ariko ntikwogarukira ku gihe c'amatora gusa:kwotegerezwa kuja no mu gukomeza Reta, ukwikukira kw'inzegozikinga agateka ka zina muntu,ubutungane,gukingira abahuye n'amabi,hamwe np gufasha gushikira uburenganzira nshingiro.

Ivyasabwe inyuma y'iki cegeranyo biri muri iyo ntumbero: **pgukinga aho kubibona bihejeje kuba,gukinga aho kureka abakorewe amabi atawubafasha. Hamwe no kwemera guhana abakoze ivyaha igihe amabi yakozwe.**

Uwo uri wese ubahirizwa

# *V. IBISABWA*

Umuhari ITEKA usaba :

**1. Ku ndongozi zibifitiye ubushobozi,** kwemera ko ibikorwa vyo kugenzura, gusaka,guhagarika no gutabara abari ku rubuga vyokorwa mu kwubahiriza amategeko n' uburenganzira nshingiro ,n'uko ibirego vy'ugukubagura vyabaye i Bubanza no mu bundi burere biraba ku cerekeye amatohoza ataho yegemiye.

**2. Ku ndongozi z'ubutungane n'amagara y'abantu**,gukora amatohoza ku mpfu ziriko zibonekeza mu mabohero y'i Gitega n'i Muramvya, kuraba ico bivako hamwe no kwemerera abapfungwa gushikira ubuvuzi,imfungurwa zikwiye n'isuku ribereye.

**3. Ku bajejwe gukingira abakenyezi n'abana,** kwemerera abakorewe amabi afatiye ku gitsina,nk'abafashwe ku nguvu canke bakorewe amabi yo mu rugo,ukubafasha mu vy'ubuvuzi n'ivy'inyifato n'ubutungane bubereye,n'ugukinga bikomeye abakorewe amabi bakiri bato.

**4. Ku ndongozi zo mu gisata c'indero n'intwaro**, gukomeza ugukorera ku mugaragaro mu gushinga,kwegeranya n'ugutunganya ikoreshwa ry'intererano z'ishure no kurabako amahera n'ibikoresho basaba imiryango vyosigurwa neza kandi bikurikize amategeko.

**5. Ku ndongozi zifitise ubushobozi mu vyerekeye amasoko ntanganguvu n' ibidukikije,** gufata ingingo zikenewe kugira haboneke umuyagankuba ukwiye mu Rumonge no mu gihugu cose;gukomeza ugukinga,ugucunga no kurwanya imiriro mw'ishamba cimeza ca Bururi n'ahandi.

*Uwo uri wese ubahirizwa*